www.assemblee.bi
www.flickr.com/inamanshingamateka

Facebook: Inama nshingamateka
twetter:@nshingamateka

N° 9 - 2017

# INAMA NSHINGAMATEKA Y'UBURUNDI

INAMA NSHINGAMATEKA

Gisohoka rimwe mu kwezi

REPUBULIKA Y'UBURUNDI

## IBIKORA BISANZWE VY'INAMA NSHINGAMATEKA VYA RUHESHI UMWAKA W '2017, VYUGURUWE ICESE






Icegera ca Mbere c'Umukuru w'Inama Nshingamateka Nyakubahwa Agathon RWASA yaritavye Inama ihuza amanama Nshingamateka zo mu bihugu vyo musi ya Sahara yerekeye amahangiro y'iterambere rirama.

Soma kurupapuro rwa 13



Icegera ca kabiri c'Umukuru w'Inama Nshingamateka yarateye ibiti ku musozi wa Gitebe muri Komine Mugina

Soma kurupapuro rwa 16



Umukuru w'Inama Nshigamateka yarakoze ibikorwa rusangi muri komine Gihosha mu gisagara ca Bujumbura.

Soma kurupapuro rwa 6

# Abashingamateka b' ikiringo ca 2015 -2020



**Très Hon. Pascal Nyabenda**
**Umukuru w' Inama Nshingamateka**
**Bubanza-Hutu-CNDD-FDD**



**Hon. Agathon Rwasa**
**Icegera ca mbere c' Umukuru w' Inama Nshingamateka**
**Ngozi- Hutu-MizeroY'Abarundi**



**Hon. Jocky Chantal Nkurunziza**
**Icegera ca kabiri c' Umukuru w' Inama Nshingamateka**
**Ruyigi-Tutsi-CNDD-FDD**



Hon. Gloriose AHISHAKIYE
Ngozi-Hutu-CNDD-FDD



Hon. Asha KHALFAN
Kayanza -Tutsi- Mizero y'Abarundi



Hon .Fabien BANCIRYANINO
Bubanza - Tutsi- Mizero y'Abarundi



Hon. Adolphe BANYIKWA
Bujumbura - Hutu- Mizero y'Abarundi



Hon. Chantal BARAMPAMA
Bujumbura - Tutsi CNDD-FDD



Hon. Josélyne BARANYANKA
Muyinga - Tutsi-CNDD-FDD



Hon. Jacqueline BARANYIZIGIYE
Cankuzo - Hutu-CNDD-FDD



Hon. Evole P. BASHINGWA
Mairie - Hutu-CNDD-FDD



Hon. Domitien BAVAKURE
Karusi - Hutu-CNDD-FDD



Hon. Rémegie BAZIRAHOMPONYOYE
Muramvya - Hutu-CNDD-FDD



Hon. Ildephonse BIGIRINDAVYI
Muramvya - Tutsi-CNDD-FDD



Hon. Jérôme BIKORIMANA
Bururi-Hutu-CNDD-FDD



Hon. Simon BIZIMUNGU
Cibitoke - Hutu Mizero y'Abarundi



Hon. Pascal BIZUMUREMYI
Ruyigi - Hutu-Mizero y'Abarundi



Hon. Renate BUKURU
Ruyigi- Hutu-CNDD-FDD


Hon. Adolphe NTAHONDEREYE
Mairie - Twa


Hon. Aloys NTAKIRUTIMANA
Cibitoke-Tutsi-CNDD-FDD


Hon. Obed NTAKIYIRUTA
Rumonge - Hutu-Mizero Y'Abarundi


Hon. Emmanuel NTEZUKOBAGIRA
Bururi - Hutu-CNDD-FDD


Hon. Ruth NTIBASHAKWA
Cibitoke - Hutu-NDD-FDD


Hon. Gregoire NTIMPIRANGEZA
Gitega - Hutu-CNDD-FDD


Hon. Gaudence NTIRANDEKURA
Mwaro - Tutsi-Mizero Y'Abarundi


Hon. Gabriel NTISEZERANA
Bubanza-Hutu-CNDD-FDD


Hon. Adrien NYANDWI
Kayanza - Tutsi-CNDD-FDD


Hon. Claire NYANDWI
Makamba - Tutsi-Mizero Y'Abarundi


Hon. Nestor NZEYIMANA
Kirundo-Hutu-CNDD-FDD


Hon. Séraphine NZEYIMANA
Rumonge - Tutsi-CNDD-FDD


Hon. Révérien NZIGAMASABO
Kirundo-Hutu-CNDD-FDD


Hon. J. Baptiste NZIGAMASABO
Kirundo-Hutu-CNDD-FDD


Hon. Consolate NZIGAMISONI
Cibitoke - Tutsi-Mizero Y'Abarundi


Hon. Benigne RURAHINDA
Mairie-Hutu-CNDD-FDD


Hon. James SAMAGORWA
Cibitoke-Hutu-CNDD-FDD


Hon. Eric SINDAYIGAYA
Mairie-Hutu-CNDD-FDD


Hon. Sylvestre SINDAYIHEBURA
Gitega - Tutsi-CNDD-FDD


Hon. J. Pierre SINZINKAYO
Bujumbura-Tutsi-CNDD-FDD


Hon. Vincent SUKUNOBA
Gitega - Twa


Hon. Anicet TUYAGA
Mwaro - hutu-CNDD-FDD



Hon. Ibrahim UWIZEYE
Muyinga - Tutsi-CNDD-FDD


Hon. Léocadie YAMUREMYE
Kirundo - Tutsi-CNDD-FDD

# Ibikora bisanzwe vy'Inama Nshingamateka vya Ruheshi umwaka w '2017, vyuguruwe icese

Ku munsi wa mbere igenekerezo rya 6 Ruhuhuma 2017 niho hugururwa icese isasa risanzwe ry'Inama Nshingamateka ryo muri Ruhuhuma 2017.

Imbere yo gushikiriza ijambo nyamukuru ryo kuri uwo munsi, Nyakwubahwa Pascal NYABENDA,Umukuru w'Inama Nshingamateka yabanje gusaba abari bitavye ivyo birori kumara umunota umwe bibuka uwahora ari Umushikiranganji w'amazi, ibidukukije, ugutunganya amatongo n'ibisagara; Emmanuel NIYONKURU, yagandaguwe igenekerezo rya 1Nzero 2017.



Umukuru w'Inama Nshingamateka akaba yaramenyesheje abari aho ko ikiruhuko Abashingamateka bahoramwo kitari vy'ukuri ikiruhuko, ahubwo ko kari akaryo ko kwegera ababatoye. Akaba yaravuze ko hariho integuro z'amabwirizwa zishika indwi zarungitswe na Leta y'Uburundi mu nama Nshingamateka izizokwigwa murico kiringo:

1. Integuro y'ibwirizwa yerekeye abadandaza batabasha kuriha ingurane,

2. Integuro y'ibwirizwa ryerekeye kunganisha imishahara,

3. Integuro y'ibwirizwa ryerekeye ishigwako umukono na Repubulika y'Uburundi ku masezerano ahindura ubwa kabiri, amasezerano y'imigenderanire hagati y'ibihugu bigize Afrika karayibe na Pacifike ku ruhande rumwe n'ibihugu vya Buraya, yashizweko umukono I kotonu igenekerezo rya 23 Ruheshi 2000, yasubiwemwo irya mbere I Luxemburg igenekerezo rya 25 Ruheshi 2005.

4. Integuro y'ibwirizwa ryerekeye ishirwako umukono na Repubulika y'Uburundi yo gushiraho igisirikare kijejwe gutabara muri Afrika y'Ubuseruko,

5. Integuro y'ibwirizwa ryerekeye ishigwako umukono na Repubulika y'Uburundi ku masezerano yerekeye amagara y'abantu n'ay'ibikoko mu karere ka Afrika y'ubuseruko;

6. Integuro y'Ibwirizwa ryerekeye ishirwako umukono na Repubulika y'Uburundi ku masezerano y'Ubumwe bwa Afrika kuvyerekeye amahoro n'Umutekano.

7. Integuro y'Ibw'irizwa ryerekeye ishigwako umukono na Repubulika y'Uburundi ku vyerekeye uguhanahana ibidandazwa hagati ya Leta y'Uburundi na Repubulika ya Turikiya yashizweko umukono Ankara muri Turikiya.

Nyakwubahwa Umukuru w'Inama Nshingamateka akaba yaramenyesheje ko izo nteguro zamabwirizwa zamaze gushika mu migwi yamaho mu Nama Nshingamateka. Agasaba Abashingamateka ko bobandanya bitanga mu bikorwa vyabo vya minsi yose, abenegihugu nabo bakaba bahawe ikaze mu guterera ivyiyumviro mu gihe ayo mategeko acigirwa mu migwi yamaho. Abagize Leta nabo, Nyakwubahwa Umukuru w'Inama Nshingamateka akaba yabasavye kubandanya bakorana neza n'Inama Nshingamateka .

N'ibibazo vyunganirwa bikazoza birabazwa Abashikiranganji uko vyama, tutibagiye no gukomeza imigenderanire hagati y'izindi Nama Nshingamateka zo mu bindi bihugu. Ikindi Nyakwubahwa Umukuru w'Inama Nshingamateka yashikirije, nuko iryo sasa rya mbere ryo muri 2017 ritanguye igihugu gitekanye, ariko ntibisigura ko ata tugorane tubuze. Nkuko icivugo cashikirijwe na Nyenicubahiro Umukuru w'Igihugu Petero NKURUNZIZA mu gihe yashikiriza ijambo ry'umwaka mushasha abarundi, yavuze ati: «**Tugire urunani rw'intamenwa, dutsimbataze amahoro tubungabunge ukwikukira**.» Leta y'Uburundi yaciye iboneraho akaryo ko gutsimbataza imigambi yiyemeje cane cane mu vyerekeye ukubaho neza kw'abenegihugu.

Nk'urwego ruserukira abenegihugu, Inama Nshingamateka ikaba yariyemeje ko amahoro n'umutekano bizoguma bitsimbataye kandi n'Ukwikukira kw'Uburundi kukazokwama kubungabungwa. Ku bijanye na politike, Inama Nshingamateka irakenguruka ingene inzego zitorewe n'abenegihugu mu mwaka wa 2015 kuva hasi gushika hejuru, zirangura imirimo zijejwe uko bikwiye ikabasaba kubandanya uko nyene. Eka no ku bijanye n'amahoro n'Umutekano, Inama Nshingamateka irakeza izengo zijejwe umutekano n'izo kwivuna abansi, ku kuntu babandanya babumbatira amahoro n'umutekano itibagiye n'urwego ruhurikiyemwo bose rujejwe umutekano. Inama Nshingamateka kandi irashima ingene Leta y'Uburundi n'Ubumwe bwa Afrika babonye co kimwe ikibazo cerekeye agashiruka bute gahabwa abasirikare n'abapolisi baja kubungabunga amahoro n'Umutekano mu bindi bihugu. Ku vyerekeye ubutunzi, Inama Nshingamateka isaba Leta ko yogwiza imigambi yo kwiteza imbere na rirya ibihugu bimwebimwe vyakuye akarenge mugufasha Uburundi kandi bitari bikwiye. Igakeza kandi ikigo kijejwe kwegeranya amatagisi n'amakori ya leta, OBR ku gitigiri c'amafaranga begeranije mu mwaka w'2016. Igasaba ico kigo kubandanya gifasha Leta kugira ishike ku migambi yiyemeje. Ariko rero naho biri uko, Inama Nshingamateka irahagaritswe umutima n'ingene abenegihugu bataronse umwimbu uhagije, ivyo bikaba vyatumwe n'ihindagurika ry'ibihe.Inama Nshigamateka ikaba itera intege uwo

wese yozana imigambi yo gukingira ibidukikije kugira dushobore guhangana n'ihindagurika ry'ibihe. Ku bijanye n'intwaro iberereye, Inama Nshingamateka iratera akamo ababijejwe ko borushirizaho kurwanya ubunyonyezi n'isesagura ry'ubutunzi bw'igihugu.Mu vy'ubucamanza, Inama Nshingamateka irashima cane ko Nyenicubahiro Umukuru w'Igihugu yatanze ikigongwe ku banyororo bashika 2500 bari mu mabohero atandukanye, buca duhimbaza umwaka mushasha w'2017.

Inama Nshingamateka ikaba inezerezwa nuko abarundi bari barahungiye mu mahanga bariko baragaruka mu gihugu c'amavukiro , igasaba kandi n'abasigaye ko boza.
Inama Nshingamateka ikaba yiyemeje , yishimikije ububasha ihabwa na Leta, gukora ibikorwa vyayo kugira imigambi Leta yiyemeje ishigwe mu ngiro.
Inama Nshingamateka irababajwe n'ingingo yafashwe n'Inama Nshingamateka y'Ibihugu vya Bulaya kw'igenekerezo rya 10 nzero 2017 ivuga ko igihugu c'Uburundi kiri mu ntambara, kandi amahoro asasagaye.Aho kuraba ingene igihugu gitekanye muri kino gihe, iyo Nama Nshingamateka yitayeho gukurikira ibihuha bitangwa n'akagwi gato k'abarwanya Leta y 'Uburundi bironderera inyungu zabo bwite. Inama Nshingamateka irasaba ko borungika intumwa mu gihugu birabe ingene Uburundi butekanye. Ubwo butumire bumaze gutangwa kenshi ariko ntibabwitaba, akaba yamenyesheje ko igihugu c'Uburundi kitikwije mu vy'ubutunzi, hakenewe ko umugambi wo kugwanya ubukene (CSLPII) n'ihangiro rya 2025 vyogira ico bikoze kugira ingorane z'ubutunzi Uburundi burimwo zihere. Uburundi ntibukeneye kwagirizwa ibi na biriya ahubwo bukeneye ahubwo gufatwa mu mugongo mu nzira y'iterambere.
Ni muri iyo ntumbero rero Inama Nshingamateka iteye intege Leta y'Uburundi kubandanya ubucuti bifitaniye n'ibindi bihugu bari basanganywe ndetse no kurondera ubucuti ku bindi bihugu. Inama Nshingamateka irashima ukuntu Uburundi bwaserukiwe mu mwaka wa 2016, mu muryango w'ibihugu vya Afrika y'ubuseruko, muryango w'ubumwe bwa Afrika, no mw'Ishirahamwe mpuzamakungu ONU. Inama Nshingamateka igasaba ko muri iyo migenderanire amategeko atohonyangwa, mu kwubahiriza ukwikukira kw'igihugu no kutinjira muri politike yaco.
Umukuru w'Inama Nshingamateka yaheraheje ijambo ry'uwo munsi ashimira abama bafasha Uburundi bo mu karere ndetse n'abanyamahanga bari bitavye ivyo birori vy'uwo munsi , ati « interemano yanyu ituma Inama Nshingamateka irangura Imirimo yayo uko bikwiye. »

**Pétronie BUCUMI**

## INGENDO HAGATI MU GIHUGU

# Umukuru w'Inama Nshigamateka yarakoze ibikorwa rusangi muri komine Gihosha mu gisagara ca Bujumbura.



Ku munsi wa gatandatu igenekerezo rya 4 Ruhuhuma 2017, Umukuru w'Inama Nshingamateka Nyakwubahwa Pascal NYABENDA yarakoze ibikorwa vy'iterambere rusangi muri zone GIHOSHA, komine Muha mu gisagara ca Bujumbura. Ivyo bikorwa rusangi vyabereye kw'ishure ryisumbuye ryo mu Gihosha aho bariko baravanga isima n'umusenyi vyo gusasa mu mashure ariko arubakwa kuri iryo shure. Ayo mashure akaba ariyo azokwakira abanyeshure bazoba bayobewe ikibazo co mu mwaka w'icenda w'ishure shingiro ;akaba azoba

ari amashure y'imyuga.

Abashingamateka batowe mu gisagara ca Bujumbura nabo nyene bari bitavye ivyo bikorwa tutibagiye abategetsi batandukanye bo mu gisagara ca Bujumbura, abakozi bo mu nama Nshingamateka, abanyonga udu tuk-tuk, amapiki, amapikipiki, amakinga, abaropora umusenyi n'amabuye n'abenegihugu benshi bo muri iyo zone nabo ntibari batanzwe.



Mw'ijambo ryiwe, umukuru w'igisagara ca Bujumbura MBONIMPA Freddy , yarashimiye umukuru w'Inama Nshingamateka ku kuntu yiyumviriye kuza kwifatanya n'abenegihugu baho muri ivyo bikorwa vy'iterambere rusangi. Akamenyesha ko ari ikimenyetso c'urukundo ku banyagisagara. Ati birerekana kandi ko amahoro n'umutekano ari vyose, ati kandi ni akanya keza ko kwitanga mu bikorwa vy'iterambere rusangi. Akaba yaciye asaba umukuru w'Inama Nshigamateka kubandanya ashigikira abanyagisagara mu bikorwa vy'iterambere. Mw'ijambo Nyakwubahwa Umukuru w'Inama Nshingamateka Nyakwubahwa Pascal NYABENDA yashikirije, yabanje gukeza abajejwe intwaro mu gisagara ca Bujumbura ko bashoboye guhimiriza abanyagisagara bakemera kwitaba ibikorwa rusangi vy'uwo munsi, ivyo bikerekana ko bamaze gutahura akamaro k'ibikorwa rusangi ati siko vyamye. Akaba yabemereye ko azokwama aza kwifatanya nabo mu bikorwa bene ivyo igihe cose aronse umwanya. Ikindi Umukuru w'Inama Nshingamateka yashikirije, yavuze ko amahoro n'Umutekano vyamaze kugaruka mu gisagara ca Bujumbura inyuma y'imyiyerekano yabaye mu mwaka wa 2015. Akaba yarakengurukiye abanyagisagara bagumye bafatanye mu nda, n'ingene bemeye guha indaro bene wabo bari bugarijwe n'abari mu migumuko. Akaba yaciye abasaba ko borushirizaho gutsimbataza amahoro n'umutekano baronse. Yarongeye ati, igisagara ca Bujumbura kigereranywa n'umutima w'Uburundi, cakira ingenzi nyinshi ati birakenewe rero kwama berekana ishusho nziza y'igihugu cacu. Mu gihe Uburundi bwimirije guhimbaza umunsi mukuru w'ubumwe, Nyakwubahwa Umukuru w'Inama Nshingamateka yaragarutse ku bumwe buri hagati y'abarundi, yongera abasaba ko bobutsimbataza. Ati mu gihe mwobutsimbataza nta macakubiri y'amoko yosubira kubaho, ati intambwe bamaze gushikako bayibungabunge.Yarahamagariye kandi abanya gisagara gukunda igihucu cabo hamwe no gukora bakagiteza imbere.



Umukuru w'Inama Nshigamateka yaragarutse kandi ku kuntu amategeko atorwa mu nama nshingamateka.Yavuze ko nk'urwego ruserukira abene gihugu, igihe cose bafise itegeko batora ko baba bakeneye intererano y'abanyagihugu. Yarahimirije abari bitavye ivyo bikorwa rusangi ko boza baraterera ivyiyumviro abashingamateka mugihe hari itegeko ririko ririgwa mu nama Nshingamateka, babicishije mu ma shirahamwe canke mu bo bitoreye. Ati inama Nshingamateka ni iyanyu, imiryango iruguruye.

Mu guheraheza ijambo ryiwe, Nyakwubahwa Pascal NYABENDA yasavye abanyagisagara ko boja mu mashirahamwe yo kwiteza imbere, ati niryo terambere ry'igihugu. Umukuru w'Inama Nshingamateka akaba yabaterereye imifuko 50 y'isima muri izo nyubako barimwo..

**Pétronie BUCUMI**

# Umukuru w'Inama Nshingamateka yararanguriye ibikorwa rusangi mu ntara ya Muramvya.

Ku musi wa gatandatu igenekerezo rya 18 Ruhuhuma uyu mwaka, Umukuru w'Inama Nshingamateka Nyakwubahwa Pascal NYABENDA, yararanguriye ibikorwa rusangi muri zone ya Bugarama iri muri komine ya Muramvya, intara ya Muramvya. Akaba yari kumwe n'abashingamateka hamwe n'abakenguzamateka batowe muri iyo ntara, Umukuru w'Ibiro bikuru vy'intwaramiheto hamwe n'Umushikiranganji w'amazi, ibidukikije no gutunganya ibisagara, basanzwe bavuka bose muri iyo ntara ya Muramvya. Ivyo bikorwa bikaba vyari ivyo kuvanga urucekeri n'isima vyo gusasa mu masomero atatu azogira ishure ry' imyuga



ry'i Muramvya.

Mw'ijambo ry'ikaze, Bulamatari w'intara ya Muramvya Emmanuel NIYONKURU, yamenyesheje ko intara itekanye mu ma komine yose. Ikindi yamenyesheje ni uko, ufatiye ku zindi ntara, intara ya Muramvya itigeze igira ingorane zo kubura ibifungurwa, kuko mu kiringo c'agatasi, imvura yagumye igwa, nta ngorane z'inzara zahabaye umwimbu wagenze neza.

Mw'ijambo yashikirije, Umukuru w'Inama Nshingamateka Nyakwubahwa Pascal NYABENDA, yarashimiye abanyamuramvya ku kungene bitaho bimwe biboneke ibikorwa vy'iterambere rusangi.Akaba yamenyesheje ko uretse guteza imbere igihugu, ibikorwa rusangi birahuza abantu, abategetsi bakahahurira n'abenegihugu hamwe n'imvukira, bakaramukanya, bakayaga, inyuma y'indwi yose umwe wese aba amaze ari ku mirimo yiwe.

Umukuru w'Inama Nshingamateka yaragarutse kandi ku muco usanzwe uri ngaho i Bugarama wo kurima imboga. Yabasavye kuja hamwe bubake iduka rinini rigezweho ryo kudandarizamwo imboga baba bimbuye, gutyo abantu bose barenganye i Bugarama bakamenya aho bazigura bitabagoye, na nyaburya i Bugarama ari ku masanganzira y'abava mu ntara zitandukanye z'igihugu.



Nayo ku vyerekeye ibiganiro bihuza abarundi vyariko bibera i Arusha, Nyakwubahwa Umukuru w'Inama Nshingamateka yamenyesheje ko nk'uwurongoye Inama Nshingamateka iserukira abenegihugu, atoshobora kwemera ko abagirizwa gushaka guhirika ubutegetsi batumirwa muri ivyo biganiro, ati ntaho vyakabaye kw'isi, ati ahubwo ni babanze baje imbere y'ubutungane. Ku vyerekeye guhinyanyura ibwirizwa shingiro, Nyakwubahwa Pascal NYABENDA yamenyesheje ko ata muntu n'umwe ashobora kubuza abarundi uburenganzira bwabo bwo gutunganya ivy'igihugu cabo, ati si abanyamahanga bazoza bategeka abarundi ngo bareke kurihinyanyura, mugihe bobo bamaze kubona ko hari ingingo zitegerezwa guhinyanyurwa kugira ngo rijane n'ibihe tugezemwo.

Nyakwubahwa Pascal NYABENDA akaba kandi yaragize n'ico ashikiriza ku vyerekeye amashure y'imyuga aho yasavye abanyeshure kwijukira ayo mashure kuko ngo umwuga uragukiza aho ugeze hose, n'iyo utashoboye kuronka akazi muri Leta canke mu mashirahamwe amwe amwe y'abikorera utwabo.

Ikindi yahamagariye abanyeshure ni ukwiga amashure maremare kugira baze bahiganwe n'abandi bo mu bihugu vyo mu karere mu kurondera ubuzi bukomakomeye.

Nyakwubahwa Pascal NYABENDA akaba yaragize nawe ico aterera mu rwubako rw'iryo shure akaba yabatererey amafaranga angana

# Umukuru w'Inama Nshingamateka yagarukiye kubugarijwe n'ubukene b'i Gihanga



Amatoni atanu n'igice y'ifu y'ibigori hamwe n'itoni irenga y'ibiharage, nivyo vyegeranijwe n'Ishengero FECABU ryo mu Burundi bica bitangwa kw'igenekerezo rya 16 ruhuhuma umwaka w'2017 n'Umukuru w'Inama Nshingamateka Nyakubahwa Pascal NYABENDA. Abaronse iyo mfashanyo n'imiryango 500 yo ku mutumba wa Muyange I, Komine Gihanga Intara ya Bubanza.

Bulamatari w'Intara ya Bubanza Tharcisse Niyongabo yarashimiye abitanga bose bakagarukira ku bugarijwe n'inzara.

Uwaje aserukiye Ishengero FECABU nawe yamenyeshejeko inyuma yaho bumviye ko hariho benewabo bugarijwe n'inzara baciye batangura kwegeranya ivyo bashobora kubafashisha.

Umukuru w'Inama Nshingamateka Nyakubahwa Pascal NYABENDA mw'ijambo ryiwe yarahaye impanuro abenegihugu bo ku mutumba wa Muyange ya I.

Ahanini izo mpanuro zari zishimikiye ko batokwama bazera inze, n'izo mfashanyo ahubwo nyabuna bakore batiziganya kugira bashobore kubeshwaho n'ibivuye mu maboko yabo.

Nyakubahwa Pascal NYABENDA yababwiyeko ubwo burimyi bwari bukwiye gusahirizwa n'ubworozi bw'ibitungwa bitobito kugira baronke umwavu, gutyo umwimbu uheze ugende neza. Ariko kandi ngo n'abenegihugu bategerezwa guhindura ingendo. Akaba yabahanuye rero kuza baragira kubihe, ati mugihe ikirere gihindutse abenegihugu nabo bamenye uko baca bahindura mu bijanye n'indimo.

Umukuru w'Inama Nshingamateka akaba yaheraheje ijambo ryiwe ahanura abenegihugu gukorera mu mashirahamwe canke ama koperative kugirango baronke umutahe ukwiye kugirango biteze imbere vyoroshe.

**Florine MUKESHIMANA**

## INGENDO MU MAHANGA

# Urugendo –Shure Umukuru w'Inama Nshingamateka yagize mu gihugu ca Zambiya



Mu rugendo-shure Umukuru w'Inama Nshingamateka Nyakwubahwa Pascal NYABENDA yagize mu gihugu ca Zambiya, kuva kw 'igenekerezo rya 26 Ruhuhuma 2017 gushika igenekerezo rya 2 Ntwarante 2017, yarabonanye n'abategetsi batandukanye bo muri ico gihugu ndetse n'abarundi basanzwe babayo.Urwo rugendo-shuri rukaba rwari urwo kurahura ubwenge. Mu nama Nyakwubahwa Pascal NYABENDA

yagirishije abarundi baba muri ico gihugu i Lusaka ,ahanini bavuganye ivyekeye ubuzima bw'igihugu cabo c'Uburundi. Hari kw'igenekerezo rya 26 Ruhuhuma 2017. Mw'ijambo uwujejwe ibikorwa mu



buserukizi bw'Uburundi muri ico gihugu, BERAHINO Georges, yipfuje ko Uburundi nabwo bwogira umugambi wo kwubaka ibarabara ry'indarayi kugira migenderanire na Afrika y'epfo yorohe mu ntumbero yo guteza imbere urudandazwa. Uwuserukira abarundi baba muri Tanzaniya nawe yari muri iyo nama yasavye ko ingingo ifata abarundi yo kwerekana uburenganzira bwo kwinjira muri Zambiya yokugwaho.

Mw'ijambo Nyakwubahwa Pascal Nyabenda yashikirije yababwiye ko, kubona abagendera kabiri kose mu kiringo kitanakwiye umwaka , si ikindi ni urukundo abafitiye. Yaciye abasigurira mu ncamake ingene Inama Nshingamateka y' Uburundi itunganganijwe aca abamenyesha yuko imigenderanire hagati yayo n'Inama Nshingamateka ya Zambiya hamwe n'iyo mu bihugu vy'abarabu ikomeye ; ndetse no mu minsi iza iyo migenderanire ikazobaho hagati y'Inama Nshingamateka y'Uburundi niya Afrika y'epfo.

Abarundi bakaba barabajije ingene umutekano wifashe ubu mugihugu Nyakwubahwa Pascal NYABENDA ati: « ni amahoro n'umutekano, abenegihugu baraja ku mirimo yabo ataco binona.» Inama y'uwo munsi ikaba yaheze basangire hamwe vy'ubugenzi.

Bukeye bwaho naho, igenekerezo rya 27 Ruhuhuma 2017, Nyakwubahwa Umukuru w'Inama Nshingamateka y'Uburundi yarahawe umubonano na mugenzi we wo mu gihugu ca Zambiya. Muri ico gihugu rero bikaba bitandukanye gose na hano iwacu mu Burundi. Iwabo bafise Inama nshingamateka gusa Inama Nkenguzamateka ntibaho. Abashingamateka bakaba bafise ibiro mu ntara batowe mwo.

Ibiro vy'Inama Nshingamateka navyo bikaba bijejwe kuza biregeranya ibisabwa n'abenegihugu ivyo navyo bigatuma



Abashingamateka batavunika gose mu bikorwa vyabo. Umukuru w'Inama Nshingamateka akaba yarababwiye ko natwe vyigeze kuba ari uko bitunganijwe.

Kuri ivyo rero Nyakwubahwa Pascal NYABENDA akaba yamumeyesheje ko mu Burundi ibikorwa vyose hisungwa amasezerano y'i Arusha mu kwubahiriza ibibanza, ibitsina n'ubwoko. Umukuru w'Inama Nshingamateka akaba yarashimiye mugenzi wiwe ingene igihugu ca Zambiya cakiranye igishika abarundi bahungiye muri ico gihungu.

Ku munsi ugira gatatu, Umukuru w'Inama Nshingamateka y'Uburundi Nyakwubahwa Pascal NYABENDA, yarabonanye kandi n'abarongoye imigwi y'abashingamateka bo mu migambwe itandukanye. Yarabonanye n'uwurongoye umugwi w'abashingamateka bari mu mugambwe uri ku butegetsi, Richard MUSUKWA.Muvyo bavuganye harimwo ingene uwurongoye umugwi w'abashingamateka bava mu mugambwe uri ku butegetsi batogwa n'ingene abashingamateka barangurira imirimo yabo iyo batowe. Umukuru w'Inama Nshingamateka akaba yarashimye ico gikorwa c'uko abashingamateka barangurira imirimo yabo iyo batowe bigatuma begera ababatoye . Bakaba baremeranije ko bagiye kuza barahanahana ubumenyi biciye mu buhinga bagiye kuzoshiraho vuba.Uwundi babonanye ni Umukuru w'uwurongoye umugwi w'Abashingamateka b'umugambwe utavuga rumwe na leta Jacques MUHINDU.

Uwo nawe akaba yavuze ko adatinya kuvuga ibitagenda neza mu gihugu na cane cane ko amafaranga ahembwa ari ayaba yavuye mu benegihugu bamutoye.

Mu guheraheza iyo mibonano Nyakwubahwa Pascal NYABENDA n'abo bagendanye bakaba barabonanye n'icegera ca kabiri c'Umukuru w'Inama Nshingamateka , Mwimba MALAMA akaba kandi ari umukuru w'Umugwi ujejwe ihinduka n'iterambere rya politike

mu Gihugu. Akavuga ko uwo mugwi kuva ushigwaho muri 2002 wagiye uragira amanuta meza co kimwe n'ivyo gushira ibiro vy'abashingamateka iyo batowe. Ni naco gihe habaye iradiyo yegukira urwo rwego ati mu minsi iza naho ni ishigwaho ry'imboneshakure yegukira urwo rwego.



Igenekerezo rya 2 Ntwarante 2017; niho igihe Umukuru w'Inama Nshingamateka yaganuka avuye muri urwo rugendo. Ku kibuga c'indege hagati y'Inama Nshingamateka y'Uburundi niyo mu gihugu ca Zambiya : ati ino iwacu umwenegihugu aja gutora urutonde rwugaye ruriko Ikindi Nyakwubahwa Pascal Nyabenda yabonye gitandukanye n'aha iwacu, ni ukuntu batora amategeko mu gihugu cabo . Harya mu Burundi hashika ikiringo c'ukwemeza amategeko Abashingamateka bakaduza amaboko, mu gihugu ca zambiya hoho ni ivy'ubuhinga bakoresha: ingene bahana ivyiyumviro kw'itegeko riba ririko ririgwa, vyose bikurikiranwa n'abenegihugu kuva mu ntango, biciye muri ya radiyo yegukira urwo rwego ,





mpuzamakungu ca Bujumbura, Umukuru w'Inama Nshingateka y'Uburundi,yarashikirije bimwe mu vyo yabonye bituma haba itandukaniro amazina y'abashingamateka baserukira intara yiwe nayo mu gihugu ca Zambiya ho Umushingamateka yitoza yemanga ku gatwe kiwe ko aserukiye intara yiwe. akaba ari naho abenegihugu bumvira ko batoye ababaserukira babikwiye koko.

**Christine NAHIMANA**

# Nyakwubahwa Umukuru w'Inama Nshingamateka yaraganutse ava mu Gihugu ca Zambia

Mu gihugu ca Zambiya, Umushingamateka umwe gusa niwe yitoza ku gatwe kiwe kugira aserukire intara yiwe, mu gihe mu Burundi, mu matora y'Abashingamateka, abenegihugu batora umugambwe ; uwo nawo uba warashize ku rutonde amazina y'Abashingamateka, intara ku ntara. Ico ni kimwe mu bitandukanya Inama Nshingamateka ya Zambiya n'Inama Nshingamateka y'Uburundi, nk' uko Nyakubahwa Pascal NYABENDA yavyiboneye mu rugendo-shule yagiriye ku cicaro c'urwo rwego ca Zambiya. Yabishikirije ku munsi wa kane,



igenekerezo rya 2 Ntwarante 2017 ku kibuga c'indege mpuzamakungu ca Bujumbura, igihe yari agarutse avuye muri urwo rugendo.

Turetse iryo tandukanirizo rifatiye ku kungene Abashingamateka batorwa, ibindi bimenyetso bigaragaza itandukaniro hagati y'izo Nzego zibiri bijanye, n'ingene bemeza amabwirizwa: mu gihe mu Burundi bamanika ukuboko



hejuru, muri Zambiya hoho hakoreshwa imashini nyabwonko. Vyongeye, Inama Nshingamateka ya Zambiya, irifitiye iradiyo yayo bwegu; bigatuma abenegihugu bakurikirana ikibiriraho ibikorwa vy'inama ya bose y'Abashingamateka. Ati ni akaryo abenegihugu baba baronse ko guha amanota ababaserukira. Yaranezerejwe kandi n'ibiro vy'Abashingamateka bikwiragiye mu gihugu cose. Abenegihugu bitura ivyo biro, gurtyo Umushingamateka agendeye abamutoye, aca asanga ibibabakiye biza vyaratororokanijwe, ivyo navyo bigatuma inyishu ziboneka n'ingoga.

Yamara yaraneguye umugambi wafashwe mu Burundi wo gukura mwene ivyo biro vy'Abashingamateka. Umukuru w'Inama Nshingamateka yaramenyesheje kandi ko yabonanye n'uwurongoye umugwi w'Abashingamateka batavuga rumwe na Leta. Yaramusiguriye ko mu mugambwe wiwe babonye ko bahohotewe mu matora kuko biyumvira ko aribo bayatsindiye, kanatsinda barushanije ku rugero rwa bibiri kw'ijana. Ariko, hakwihereza amabarabara canke ngo bafate ibirwanisho, mu ntumbero yo kwiyamiriza amatora; bashimye kwitura ubutungane. Ari nako gushikiriza umugambi wo gutumira uwo mukuru w'umugwi w'Abashingamateka batavuga rumwe na Leta kuzoza mu Burundi kwigisha abanyepolitike.

Nyakubahwa Pascal NYABENDA yaribukije kandi ko mwene izo ngendo shure zimaze kubera mu bihugu vy'Abarabu no muri Zambiya, zizobandaniriza muri Tanzaniya, Libani na Afrika y'epfo.

Ku Bashingamateka 164 bari mu Nama Nshingamateka ya Zambiya, 156 baratowe, abandi umunani nabo bakagenwa n'Umukuru w'Igihugu. Muri abo 156 batowe, 80 bakomoka mu mugambwe uri ku butegetsi, mu gihe 58 ari abo mu mugambwe utavuga rumwe na Leta, 14 nabo bitoje ku gatwe kabo, 4 basigaye nabo bakomoka mu yindi migambwe.

**Pétronie BUCUMI**




# Icegera ca Mbere c'Umukuru w'Inama Nshingamateka Nyakubahwa Agathon RWASA yaritavye Inama ihuza amanama Nshingamateka zo mu bihugu vyo musi ya Sahara yerekeye amahangiro y'iterambere rirama.

Icegera ca Mbere c'Umukuru w'Inama Nshingamateka Agathon Rwasa yaritavye ibikorwa vy'inama ihuza Inama Nshingamateka z'ibihugu biri mubihugu vyo munsi ya sahara yerekeye amahangiro y'iterambere rirama, yatunganijwe n'ihuriro ry'Amanama Nshingamateka, n'Inama Nshingamateka y'Ubuganda ku nterérano y'Ishirahamwe Mpuzamakugu rijejwe Iterambere (PNUD). Icegera ca Mbere c'Umukuru w'Inama Nshingamateka Umushingamateka Agathon RWASA akaba yagiye ayoboye intumwa z'Inama Nshingamateka na Nkengunzamateka vy'uburundi harimwo n'Icegera ca kabiri c'Umukuru w'Inama Nkenguzamateka Umukenguzamateka Anicet NIYONGABO. Iyo nama ikaba yari iyo kwigira hamwe uruhara rw'Amanama Nshingamateka mu gushira mu ngiro amahangiro y'iterambere rirama. Aho rero hakaba hari ukuraba intambwe yateweko, intambamyi, n'icirwa cavuye mukurangura ya migambi hangiro y'ikinyempumbi y'iterambere kugira ngo bashire mu ngiro amahangiro y'iterambere rirama. Ku rundi ruhande iyo nama ikaba yihweje ayo mahangiro uko ari 17 nico agamije n'ingene izo



Nama Nshingamateka zokwisunga ibirangurirwa mu karere, kugira ayo mahangiro afashe kwubaka kazoza.

Inama Nshingamateka na nkenguzamateka zitegekwa kubanza kwihweza uburyo bwofasha ishirwa mu ngiro ry'amahangiro y'iterambere rirama mu bihugu biri muri ako karere ka afrika iri munsi ya sahara. Ku musi wa mbere wiyo nama abayitavye bakurikiye ivyirwa bikurikira ; « Uruhara rw'amanama nshingamateka mu gushira mu ngiro amahangiro y'iterambere rirama, intwaro ibereye ishitse, ingingo ngenderwako mw'iteremebre rirama n'iyindi yotuma dushikira iterambere rirama mu kurwanya ibituma haba ihindagurika ry'ibihe. Abashingamateka n'Abakenguzamateka bitavye iyo nama barerekanye ko ama Leta ategerezwa gufata ingingo zituma inkurikizi z'ihindagurika ry'ibihe uravye ingene ibihe bigenda bihindagaruka cane.

Icegera ca Mbere c'Umukuru w'Inama Nshingamateka Agathon RWASA yaramenyesheje yuko ishirwa mu ngiro ry'imigambi hangiro ry'iterambere rirama, rizovana n'iyubahirizwa ry'ingingo ya 16

yerekeye gutsimbataza intwaro ibereye. Iyo ngingo ihagaze ahanini ku gutunganya neza ivyigihugu, gukomeza umutekano, n'ukwubahiriza ingingo ngenderwako z'intwaro rusangi. Yaranamenyesheje yongera arasaba ko ikiyaga ca Tanganyika kibangamiwe n'imyanda ikijamwo . Amenyesha yuko ibihugu bigikikuje vyoterera, ariko aranamenyesha yuko kumbure uburyo bw'ivyo bihugu ari buke asaba ko abafasha mu bijanye no gukingira ibidukikije bogira uruhara kugira ngo Tanganyika yoye kwononekera naririya ifitiye akamaro kanini abayikikuje, ngo kuko ari uruzi rufise amazi meza n'ubutunzi bwinshi. Umwe mubari baserukiye abafasha muvyo gukingira ibidukikije, yaramenyesheje yuko uburyo buhari kuri uwo wese afise afise umugambi wo gukingira ibidukikije. Ku ruhande rwiwe Icegera ca kabiri c'Umukuru w'Inama Nkenguzamateka Anicet NIYONGABO yaramenyesheje amakenga afise kwishirwa mu ngiro ry'amahangiro y'iryo terambere rirama, mu gihe hari ibihugu vyamye bisahura ubutunzi bw'ibihugu nubu bikiriko; batabihagaritse. Muri ico igihe ubutunzi bw'abanyafrika bwobafashije bukaguma buca mu myanyay'intoke. Ivyo ngo bikaba vyabaye mu gihe c'ubukoroni eka mbere n'inyuma y'ukuronka intahe y'ukwikukira. Abitavye iyo nama barahurije ku kuntu hari inkurikizi ziva ahanini ku masezerano yo gucukura ubutare; amareta aha amashirahamwe n'ama sosiyete mpuzamakungu; yarangiza ibikorwa vyayo ntasubize uko isi yari imeze mu gihe tuzi ko isi nyafrika, ariyo itunze abanyafrika, bari bakwiye kuraba ingene ayo masezerano nayo nyene yoza arasubirwamwo. Haragaragaye kandi ko imiriro ya nyakanga, iterabwoba, ibiza, bitera intambamyi mugushira mu ngiro amahangiro y'iterambere rirama.

**Gabby BUGAGA**

## INGENDO HAGATI MUGIHUGU

# Icegera ca mbere c'umukuru w'inama nshingamateka yarifadikanikije n'ikigo c'abagendana ubumuga bwo kutabona kiri Gitega, mu guhimbaza iyubire y'imyaka 25.



Imyaka mirongo ibiri n'itanu, ikigo Rumuri kiriko kirafasha urwaruka rugendana ubumuga bwo kutabona. Aho ni ku Mushasha ku murwa mukuru w'intara ya Gitega ahabereye ibirori; vyabaye kwigenekerezo rya 11 Ruhuhuma 2017 kuri ico kigo Rumuri. Abo bana bakoresha ubuhinga bwo gukabakaba bwitwa braille Mu gifaransa, busanzwe bukoreshwa intoke mu gusoma. Ico kigo catangujwe n'umupadiri w'umu misiyonari Vincent GARCIA, afadikanije n'uwahoze ari umwungere wa diyosezi nkuru ya Gitega Joachim RUHUNA kuva mu mwaka w'1995.

Iryo shure rigizwe n'igice ca mbere c'ishure nshingiro hamwe n'igisata c'imyuga ku batashoboye kubandanya igice ca kabiri c'ishure nshingiro. Ivyo birori, vy'uwo munsi bikaba vyari vy'itabwe n'icegera ca mbere c'Umukuru w'Inama Nshingamateka Agathon RWASA ari kumwe n'Icegera ca Mbere c'Umukuru w'Inama Nkenguzamateka NJEBARIKANUYE Spès Caritas.

Mu nkuka y'imisa yashikirijwe abari ngaho muri ivyo birori barerekanye ko ubuhumyi atari ubw'amaso ariko ari ubw'umutima ati abafise amaso abona nabafise umutima ukora ivyo Imana ishaka. Umuyobozi w'iryo shure Mama Aline yarashikirije: Ivyaranguwe mu myaka 25 iheze ico kigo gishinzwe. Igitigiri c'abamaze kwiga kuri iryo shure kuva rigitangura bigera ku 250, babiri

bakaba bahejeje amashure yisumbuye mu Rwanda, bane nabo bariko babandanya ayisumbuye mu Rwanda abandi 18 nabo bariko biga kuri lycee notre dame. Igitigiri c'abana kiri hagati ya 50 na 70 buri mwaka nibo bakirwa nico kigo uyu munsi hakaba hari abana bagera kuri 60. Yaramenyesheje yuko ico kigo kirimwo igice ca mbere c'ishure nshingiro ariko kitararonka igice ca kabiri. Igihari ni igisata c'imyuga ibi bigasigura yuko ico kigo gifasha cane abantu bagendana ubumuga bwo kutabona kugira bashobore kuronka ingene bategura ubuzima bwabo. Yarongeye aranamenyesha yuko kuva abana baronse uburenganzira bwo gukora ikibazo ca leta mu mwaka w'ishure wa 2011-2012 abana baratahuye ko nabo bashoboye kandi bagakurikira nubwo uburyo babikoramwo budasanzwe. Ico kigo gifashwe mu mugongo n'ishirahamwe rijejwe imfungurwa PAM, diyoseze Nkuru ya Gitega, abandi nabo bararonka inyigisho bakanaronka impapuro z'uko bize iyo myuga.

Uwuserukira ubushikiranganji bwo gushikirana yaramenyesheje yuko ubwo bushikiranganji buzobandanya bushigikira ico kigo, aca abandanya amenyesha yuko hari n'ibifungurwa biri mu nzira bigizwe n'umuceri, n'ibiharage



asaba icegera ca mbere c'Umukuru w'Inama Nshingamateka n'Icegera ca Mbere c'Umukuru w'Inama Nkenguzamateka kuzoryemeza niyo ryabashikira

Iyindi myitwarariko yashikirjwe na mama Aline umuyobozi w'ico kigo n'ukubura inyubakwa zibereye kandi zikwiriye kugira ngo abo bana bahejeje igice ca mbere c'ayo mashure nshingiro bashobore kubandaniriza aho nyene igice



hamwe n'amavuta, vyarungitswe n'ubwo bushikiranganji. Iruhande y'iyo mfashanyo, iyo ntumwa ya Leta yaranamensyesheje kandi yuko hari n'integuro y'ibwirizwa yerekeye abagendana ubumuga izorungikwa mu Nama Nshingamateka na nkenguzamateka ngo baryemeze aca

ca kabiri. Amenyesha ko ivyo vyotuma abo bana ingorane zo kumenyera bagira iyo bagiye mu mashure asanzwe yigamwo abadafise ingorane bene izo zigabanuka, ngo kuko haraho bayoberwa batoyobewe kubera ubuhinga bazigamwo butazwi n'abigisha bigisha muri ayo mashure asanzwe.

Icegera ca Mbere c'Umukuru w'Inama Nshingamateka Nyakubahwa Agathon RWASA kw'izina ry'inama nshingamateka n' iryiwe nyene, yarashikirije ijambo aho yashimiye umuyobozi wico kigo kukuntu yabarungikiye ubutumire akongera akabwishikanira mu Nama Nshingamateka ubwiwe kugira ngo bitabe iyo yubile. Aca abandanya anashimira eklezia gatolika ku kuntu yitaho igisata c'indero; ati kuko n'abarongoye igihugu nka bose iyataba ekleziya, ntivyari gukunda ko bashika aho bageze. Icegera ca mbere c'Umukuru w'Inama Nshingamateka yaramenyesheje ko Imana iha ingabire umuntu uwariwe wese rero kuri ivyo hari ubuhumyi nya buhumyi si ubwo ku maso ariko ahanini ubwo ku mutima nkuko ijambo ry'Imana ribivuga; nkuko bavyerekanye abo bana bagendana ubumuga bwo kutabona mu gucuraranga haba mugusoma ijambo ry'Imana eka ndetse no mukuryosha ibirori vy'uwo musi. Icegera ca mbere c'Umukuru w'Inama Nshingamateka yarakeje urwo rwaruka, na cane cane abatanguje ico kigo, aranabakeza kandi aremeza ko ivyo basavye vyose yabifashe nka nkama, aca anasaba abari ngaho guterera ico umwumwe wese afise gutyo muri nya kanya baba begeranije ibihumbi amajana abiri.

**Gabby BUGAGA**

INGENDO HAGATI MU GIHUGU

# Icegera ca kabiri c'Umukuru w'Inama Nshingamateka yarateye ibiti ku musozi wa Gitebe muri Komine Mugina




Ibikorwa vyo gutera ibiti ku musozi wa Gitebe uri muri komine ya Mugina mu Ntara ya Cibitoke vyari vyatewe iteka n' Icegera ca kabiri, c'Umukuru w'Inama Nshingamateka Umushingamateka Jocky Chantal NKURUNZIZA hari kw'igenekerezo rya 4 Ruhuhuma umwaka 2017, arikumwe na Buramatari w'Intara ya Cibitoke, musitanteri wa komine Mugina, abatowe n'abenegihugu muri iyo ntara nyene abajejwe amabanga atandukanye muri iyo ntara, Icegera ca kabiri c'Umukuru w'Inama Nshingamateka yarifadikanije n'abenegihugu mu gutera ibiti uyo musozi wa Gitebe gushika ubu wari umeze nk'ubugaragwa. Uburinganire bw'ihegitari 50 kuruyo musozi nibwo bwateweko ibiti.



Mwijambo yashikirije, musitanteri wa komine Mugina yamenyesheje ko umutekano ari wose ariko ko bafise ingorane z'abenegihugu usanga rimwe na rimwe bariko baragirizanya uburozi ,aho usanga mbere impapuro zitagira umukono ziterabwoba kuri abo baba bikekwa ko ari abarozi zatawe mu ma barabara. Ivyo rero bigatuma rimwe na rimwe haba umutekano muke muri iyo komine. Musitanteri wa komine Mugina yaramenyesheje kandi ko uguharika n' ubuhumbu ari vyinshi muri ako karere akamenyesha kandi ko hari



ikibazo c'uburyo bukwiye kugira ngo bashobore gukwiragiza itegeko rigenga ingo n'imiryango baryigishe abenegihugu bashobore kujijuka banamenye nibihano bitegekanijwe kuri uwo wese arirenze.

Nayo kubijanye n'umwimbu ,musitanteri wa komine Mugina Bayavuge Jovithe amenyeshako iyo komine yagize amahigwe yuko imvura yaguye ku rugero rushimishije, abanyagihugu barimbuye bikwiye mugihe ayandi makomine yagize ikibazo c'uruzuba ubu bakaba baza gusumira muri iyo komine . yamenyesheje kandi ko abenegihugu bo muri komine Mugina bariko b egeranya imfungurwa kugirango bazoje kugarukira kuri bagenzi babo bo muyandi makomine yagize ico kibazo c'uruzuba.

Jovithe Bayavuge yaboneyeho akaryo ko kumenyesha ko kuri uyo musozi abenegihugu bafise ingorane yo gushikira ivuriro co kimwe n'amashure kuko kuri uyo musozi atashure canke ivuriro rihari ivyo bigatuma abenegihugu bagira ingorane na cane cane ko uyo musozi utegereye ibarabara rikuru. Agasaba icegera ca kabiri c'Umukuru w'Inama Nshingamateka ko yozobashikanira imbere ico kibazo. Nayo buramatari w'intara ya Cibitoke Joseph Iteriteka yamenyeshejeko intara itekanye yose muri rusangi mu bijanye n'umutekano eka no mubijanye n'ubutunzi imibano n'ibindi iyo ntara yifashe neza ,ndetse n'abenegihugu bari kubikorwa vyabo vya misi yose ata nkomanzi.Ariko rero naho biruko uruzuba rwatse mu makomine amwe amwe nka Kiganda rwarononye ibintu vyishi mu ndimiro ivyo binatuma umwimbu ugabanuka mu ntara . Iteriteka Joseph akaba yaranagarutse kukamaro ko gukingira ibidukikije kugirango bashobore guhangana n'ihindagurika ry'ibihe ryibonekeza muri ino misi

Icegera ca kabiri c'Umukuru w'Inama Nshingamateka mw'ijambo yashikirije, yamenyesheje ko nk'abizewe nabenegihugu bafise igikorwa co kwama hafi y'abenegihugu babizeye ngo babaserukire bakifadikanya nabo mu bikorwa bitandukanye vy'iterambere rusangi.

Umushingamateka Jocky Chantal NKURUNZIZA yaranezerejwe nuko umwimbu wagenze neza muri iyo komine aca abasaba ko uyo mwimbu wose batowuhereza mw'isoko. Icegera ca kabiri c'umukuru w'Inama Nshingamateka yaragarutse kubijanye no guharika co kimwe n'ingeso y'ubuhumbu vyibonekeza muri iyo komine. Ati uretse ko ivyo bitera ubukene mu miryango, biranatuma habaho n'igwirirana ry'abantu kandi amasi yaramaze kwaga.
Yaboneyeho n'akaryo ko kubakebura kubijanye no kugabanya igwirirana ry'abantu amenyesha ko biraba uwariwe wese ,ati kuko nta muntu yoshobora kwibaruka abana adashoboye kurera ngo abaronse ivyo bakeneye vyose.



Mu gusozera, Umushingamateka Jocky Chantal NKURUNZIZA yahamagariye abenegihugu b'i Mugina gutera ibiti bibana n'indimo banarabe neza ko igiti giciwe gisubirijwe kugirango bahangane n'ihindagurika ry'ikirere. Yaranashimikiye kandi no kukamaro k'igiti mu buzima bwa kiremwa muntu, kimwe mu mpamvu zikomeye zotuma abenegihugu bitwararika gukingira ibidukikije.

**Gabby BUGAGA**

GUSERUKIRA ABENEGIHUGU

# Abaserukira abenegihugu barakurikirana ivy'inyigisho za kaminuza



Umugwi wamaho mu Nama Nshingamateka ujejwe inyigisho, kwinonora imitsi ; akaranga no gutumatumanako amakuru warashikirije kw'igenekerezo rya 15 Ruhuhuma umwaka wa 2017 icegerenanyo c'urugendo wagize muri kaminuza za leta hamwe n'izigenga. Iyo nama ikaba yari ihagarikiwe n'umukuru w'Inama Nshingamateka Nyakubahwa Pascal NYABENDA.

Abo bashingamateka bagize uwo mugwi bamenyesheje ko intumbero yo kugendera izo kaminuza kwari ukugira birabire uko izo kaminuza ziriko zirashira mu ngiro impinyanyuro zagizwe na Leta. Umushingamateka NIMENYA Gloriose arongoye uwo mugwi avuga ko ibiri murico cegeranyo bizofasha Abashingamateka kugira ico baterereye murico gisata.Muvyo babonye muri urwo rugendo rwabashikanye muri Kaminuza za Leta n'izigenga, nuko zose zifise uruhusha rwo gukora, mbere zimwe zakira abatoye ikibazo ca leta izindi zikakira abatatoye ico kibazo.

Ikindi bashoboye kwibonera Abashingamateka nuko igitigiri c'abiyandikisha kuja muri izo kaminuza caduze mu myaka itatu iheze ariko muri Kaminuza y'Umwizero ya Afrika hoho ibitigiri vyaragabanutse cane bivanye naho ihereyeye habaye nk'ikirimbiro ry'imigumuko ihitiye mu Burundi.

Muri ico cegeranyo, baba abigisha canke abanyeshuri bakaba bashimishwa n'umugambi wa leta w'inyigisho za BMD.

Ariko rero ngo n'ingorane ntizibuze. Abigisha n'abanyeshure baganiriye n'Abashingamateka bakaba bavuga cane cane ubukene butuma bamwe mu banyeshure baheba ishure, kubura aho bimenyereza ku biga ibijanye n'ubuhinga; ikena ry'ibikoresho mfasha nyigisho n'ibindi.

Kaminuza zimwe zimwe zikaba zifise ingorane zisangije. Aha twovuga nka kaminuza y'Uburundi isa n'uko itarashira mu ngiro umugambi w'inyigisho za BMD hamwe n'izindi kaminuza nk'izubuvuzi zisabako ivyigwa bimwe bimwe bigumana amasaha vyigisha buri mwaka.

Abashingamateka rero bakaba hari ivyo basavye vyokorwa. Muri ivyo harimwo isubigwamwo kw'itegeko N° 1/22 ryo kuwa 30 kigarama ry'umwaka w'2011 rigenga inyigisho za kaminuza mu Burundi hamwe n'ayandi mategeko bijanye. Ikindi nuko impamyabushobozi zihabwa abahejeje kaminuza mu mugambi mushasha wa BMD zogira itegeko rizigenga zongere zinganishwe n'iza kera.

**Florine MUKESHIMANA**


# INAMA NSHINGAMATEKA

UMUKURU W' IYANDIKIRO
Providence NIKIZA

ABANDITSI
Florine MUKESHIMANA
Arlette AKIMANA
Pétronie BUCUMI
Gabby BUGAGA
Christine NAHIMANA

AMASANAMU
Richard NDAYISENGA